Burya shetani iraza kuri umwe muri mwebwe ikamubwira iti: "Ni nde yaremye iki? Ni nde yaremye kirya?", gushika n'aho ivuga iti: "Ni nde yaremye Imana yawe Rurema?". Nivyashika rero aho ivuga ukwo, umuntu araca yikinga ku Mana Allah kugira Imukingire ingaruka y'inyoshambi zayo, maze ace areka gushishikara kuvyiyumvira

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Burya shetani iraza kuri umwe muri mwebwe ikamubwira iti: "Ni nde yaremye iki? Ni nde yaremye kirya?", gushika n'aho ivuga iti: "Ni nde yaremye Imana yawe Rurema?". Nivyashika rero aho ivuga ukwo, umuntu araca yikinga ku Mana Allah kugira Imukingire ingaruka y'inyoshambi zayo, maze ace areka gushishikara kuvyiyumvira".

[صحيح] [متفق عليه]

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iravuga ku co umwemeramana yokora igihe shetani imwoheje biciye mu kuguma yibaza ibibazo, maze shetani ikavuga mu kumwosha ibaza iti: Ni nde yaremye iki? Ni nde yaremye kirya? Ni nde yaremye ijuru? Ni nde yaremye isi? aho umwemeramana aheza akishura yisunze idini ryiwe n'ukwemera-ndemanwa kwiwe, yisunze kandi ico ubwenge nya bwenge buvuga, ati: ni Allah. Ariko rero shetani, ntigarukiriza ng'aho mu kumutera amakenga n'inyoshambi, ahubwo iguma ishishikara kubaza gushika n'aho ivuga ibaza iti: Ni nde yaremye Imana yawe Rurema?, ico gihe rero, umwemeramana araheza akarwanya izo nyoshambi mu kuzikuramwo akoresheje ibintu bitatu: Ukwemera Imana Allah. Ukwikinga ku Mana Allah kugira Imukingire ingaruka mbi z'inyoshambi za shetani. Ukureka gushishikara yiyumvira ibijanye n'izo nyoshambi.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65013